# Ku bajejwe intwaro mu mashuri n'abigisha ahari abana b'abanyamwema mw'ishuri no mu mubano:

Vyanditswe: Every Child Ministries (Ibikorwa kwa Buri Mwana)
Ishirahamwe rukirisu ridakorana na Leta rizana ivyizigiro ku "bana bibagiwe bo muri Afrika"
Kubera ABANA ari amikoro ya mbere ahambaye kuri buri gihugu-
Ubutunzi bwiza buva ku Mana!

Ibikorwa kwa Buri Mwana Uganda
Agasandugu k'amakete 28080 Kampala

Ku bajejwe intwaro mu mashuri n'abigisha,

Turabaramukije!Turakenguruka ukwitanga kwanyu mu gufasha igihugu c'Ubuganda na cane cane mu guhingura akamere k'urwruka biciye my ndero. Ni akazi katoroshe mwatanguye. Imana ibahezagize inkomezi n'ubwenge.

Tubandikiye kubera ishure ryanyu rifise umwana afise ubunyamwema, kamere mvukanwa akenshi itera ingorane zo kubona kandi ishobora gutera indwara ya kansere yo ku rukoba mu gihe urukoba rw'umwana rudakingiwe neza ruhuye cane n'imishwarara y'izuba.

Abana bafise ubunyamwema barafise ubwenge bukwiye, baratera imbere bikwiye, barafasha ikibano mw'iterambere, kandi bashobora kugira ikiringo c'ubuzima gikwiye nk'abandi mu gihe ibintu bimwe bimwe vyo kwikingira vyakozwe.

Murafise mu bubasha bwanyu ibikwiye kugira ngo ubuzima bw'abo bana mubugire bwiza gusumba mu buryo butari buke, kandi tubasavye ko mwokoresha ivyo bibanza vy'ububasha n'ijambo rishika kure mwahawe n'Imana ku neza y'abo.

Mushobora gufasha mu:

- Kuraba neza ko abana b'abanyamwema bicara aho bashobora kubona ku kibaho neza gusumba. Turabinginze ngo mubahe uruhusha rwo kugerageza mu kwicara hafi y'ikibaho kugira murabe ko ivyo vyobafasha.

- Indome nini canke ikoreshwa ry'ibikoresho bishobora kwagura indome birafasha abana. Mu gihe ivyo bitanguye kugora abana iyo bariko barakura, mupfume mugerageza kuraba ko bokunda gukoresha ivyo bifasha mu kwiga iyo bari muhira. Mu bibanza vyinshi aho igwizwa ry'impapuro rigirwa inyandiko irakwiye kwagurwa. Ishirahamwe ry'abanyamwema ryo muri Ghana riratumenyesha ko mu bisanzwe, abanyamwema bakenera indome zo mu mashini zo ku rugero rwa 18 kugira ngo bashobore gusoma neza. (Inyandiko zo mu bitabo nyinshi zanditwe mu ndome zo mu mashini zo ku rugero rwa 11 canke 12).

- Kuri ba nyamwema benshi, amabara y'inyandiko abona cane ku mpapuro arafasha cane gusumba kwagura ubunini bw'indome. Akarorero, gukoresha ikaramu y'irabura cane ku rupapuro rwera cane birafasha gose. Ibibaho vyirabura biroroha gusumba ku mwana w'umunyamwema gusomako kurusha gusoma ku bibaho bisa n'urwatsi rutoto. Ubwo budasa bw'ivyandiko naho vyandikwa birashobora kugwizwa mu kwoza gusa neza ikibaho kenshi hakoreshejwe amazi asanzwe. Ingwa yoroshe izotuma

inyandiko ziba ku murongo, ingwa y'ibara nayo rimwe na rimwe nayo usanga ifasha.

- Kubabarira abana b'abanyamwema kutagira icigwa co kwinonora imitsi canke mu guhindura ingene ico cigwa giteguwe kugira gihure n'ivyo bakeneye. Abana b'abanyamwema bafise inguvu zingana n'iz'abandi bana, ariko iyo bisabwe ko bakorera hanze bambaye amabutura canke izindi mpuzu zituma urukoba rwabo ruhura n'izuba mu masaha ashushe gusumba y'umunsi, kuva isaha zine z'igitondo gushika isaha cumi z'umuhingamo, ingorane zidasanzwe zirashobora gukurikira, harimwo na kansere y'urukoba. Abo bana barashobora gukora imyimenyerezo yo kwinonora mu gatutu canke mu nzu. Mu gihe bategerezwa kuba hanze, tubasavye ko mwobarekurira kwambara impuzu z'amaboko maremare n'ipantaro n'inkofero yagutse ifise ahaseruka impande zose yo kumukingira. Ibi bisa nko kubasaba ibintu bihanitse, ariko ugufashanya kwanyu kurashobora kurinda umwana kansere no kubaronse ingabire y'ubuzima bukwiye.

- Guha umwana uruhusha rwo kwambara amarori y'izuba yirabura igihe cose ari hanze. Ivyo ni nkenerwa mu kumukingirira amaso ibindi bibi vyoterwa n'umuco w'izuba.

- Turabasavye gukora uko mushoboye mu gukingira abo bana ugucokorwa no gushinyagurirwa biva mu kutamenya. Abo bana nta ndwara barwaye kandi si umuvumo. Ni abana basanzwe nk'abandi bose bakeneye kwemerwa mu kibano no kuba ivyo Imana yabaremeye kuba vyose. Mu gihe ukubona guto n'urukoba rworoshe vyabo bishobora kubonwa nk'ubumuga, barashobora kugira iterambere rihagije mu gihe utuntu dutoduto tugorowe neza. Ukwitana amazina birakwiye kubuzwa mw'ishure. Ingaruka mbi yavyo mw'ishure ni nini gose.

- Kiretse ibijanye no kubakingira izuba bidasanzwe no kubitaho bidasanzwe kubera ukubona kwabo guto, abana b'abanyamwema bakwiye gufatwa nk'abandi bose kandi bakaronswa ibibanza mu bikorwa vy'ishuri. Tubasavye ko mwotera intege abana ngo bahe ibibanza abana ba nyamwema hagati muri bo mu bijanye n'ivy'imibano hamwe n'ivyishuri. Ivyo ni ngirakamaro cane mu gutera imbere kwabo.

- Ushobora kuba wipfuza gufata umwanya mu nama y'ishuri uvuga ku bijanye n'ubunyamwema. Intumbero n'ibibazo n'inyishu vyateguwe n'Ibikorwa kwa Buri Mwana (ECM) birahari ku bwanyu. Ibintu bimwe bimwe birakwiye gusubirwamwo kenshi na kenshi cane, nka " Ubunyamwema si indwara. Abanyamwema ntibateye ubwoba. Abana b'abanyamwema ni umugisha, si umuvumo, nk'abandi bose", n'ibindi, n'ibindi.

Nimba ufise ibibazo ku bijanye n'ubunyamwema, abajejwe umugambi mw'ishirahamwe ryacu bazohimbarwa no kuganira nawe. Tubaye turabashimira ku ntererano yanyu ku buzima bw'abana no ku gufashanya kwanyu kuri ivyo bibazo.

**Ibihari muri Ibikorwa kwa Buri Mwana:**
Inyigisho ku bavyeyi b'abana b'abanyamwema
Teaching for albino children
Ibibazo n'inyishu k'ubunyamwema
Ibisabwa ku barezi mu gufasha abana b'abanyamwema (Zino nyandiko)
Amarori y'izuba hamwe n'izindi mfashanyo ziboneka rimwe na rimwe zironswa umwana w'umunyamwema azananye n'umuvyeyi wiwe canke uwumujejwe akiyandikisha hamwe mu hantu dukorera.

ecmuganda@yahoo.com
www.ecmafrica.org
Raba siteweb yacu rimwe na rimwe kugira umenye ibindi.

-------------------------------------------------------------------



Every Child Ministries
Hope for the forgotten children of Africa

-------------------------------------------------------------------
Vyateguwe na Ibikorwa kwa Buri Mwana
"Ivyizigiro ku bana bibagiwe bo muri Afrika"
Email ecmafrica@ecmafrica.org
Vyahinduwe mu Kirundi na Fabrice Bayubahe